UBUTUMWA BWO KUBIPFURIZA NOEL NZIZA N'UMWAKA MUHIRE W'I 2012, MUSHIKIRIJWE N'UMUGAMBWE CNDD-FDD.

Umwaka w'i 2011 urarangiye, uw'i 2012 nawo uratanguye. Kw'izina ry'umukuru w'umugambwe CNDD-FDD umushingamateka El Hadj Hussein Radjabu, ka muvugizi w'ABAGUMYABANGA bubahiriza amategeko turipfurije abarundi bose muri rusangi hamwe n'abagumyabanga ivy'umwihariko, Noel nziza n'umwaka muhire w'i 2012 ; turabakeje kubukerebutsi, ubwitonzi, ubuntu n'ukwitanga vyabaranze muri uyu mwaka w'i 2011 urangiye.

Muri uwu mwaka w'I2011 urangiye, abarundi ntagahengwe namba bigeze bawuronkamwo, haba muvya politike, ivy'umutekano canke ubutunzi, eka mbere no kubijanye n'agateka ka zina muntu, muri rusangi vyose vyagiye birasubira inyuma nk'ibirenge. Ibirwanisho vyahawe bamwe mu rwaruka rw'IMBONERAKURE za CNDD-FDD, rwahenzwe n'ivyaduka vyataye umurongo inyuma y'ikoraniro kaminuza ry'i NGOZI mu kuja kubiri n'umurongo wa politike w'umugambwe CNDD-FDD wapfundikiwe mw'ikoraniro kaminuza ryabereye i GITEGA ku magenekerezo ya 7 na 8 Mukakaro 2004, vyarihaye inkumbi mu gusasika inganda.
Izo nkorabara zinyegeje mu MBONERAKURE, zifashijwe n'umugambwe uri ku butegetsi hamwe n'igipolisi kijejwe ipereereza, zarabiciye biracika mu ntara za Bujumbura rural, Bubanza, Cibitoke, Muyinga, Gitega n'ahandi, mu kugandagura inzirakarengane ata kindi zizira atar'uko zikomoka mu migambwe itavuga rumwe n'uwuri ku butegetsi canke zisanzwe zihurikiye mu mashirahamwe adoma urutoke ku mafuti akorwa n'ubutegetsi bwitirirwa umugambwe CNDD-FDD. Ubwo butegetsi nyene bwa NKURUNZIZA ata kindi kiburaje ishinga atari iterabwoba mu kuzivya uwo wese aryogoye, bwahisemwo kwica abanywanyi b'imigambwe itavuga rumwe n'uwuri ku butegetsi mu mugambi bise « SAFISHA ». Igitigiri c'abamaze kwicwa gishikirizwa n'amashirahamwe aharanira ivy'agateka ka zina muntu kikaba cababa amajana atanu muri uno mwaka w'i 2011. Ico gitigiri kikaba kiruta kure n'iyo icashikirijwe mu bihe vy'intambara Uburundi bwaciyemwo hagati y'imyaka y'i 1993 n'i 2005.

Muri kino kiringo abarundi bariko barasozera umwaka mu bukene n'inzara izura ivyara, twagomba tubonereho akaryo ko kwibutsa abarundi n'amakungu ibihe bikuru bikuru vyabangamiye ABAGUMYABANGA bubahiriza amategeko b'ubwabo hamwe n'abarundi bose muri rusangi muri uno mwaka urangiye. Ibi tugira tubashikirize ntaho bisa bisana n'amajambo y'ububeshi ashikirizwa na Petero NKURUNZIZA :

- Uyu mwaka urangiye watanguye urimwo impari nyinshi zijanye no kwiyamiriza ubutegetsi bwavuye mu matora yo mu 2010 yaranzwemwo igipfungu cinshi kandi mukibuka ko ayo matora ABAGUMYABANGA bubahiriza amategeko

batayagiyemwo. Reta nshasha yarihejeje gushingwa hakurondera gutora umuti w'ico kibazo, yihutiye kurondera gutuza no kwambika iceyi imigambwe yateye ivyatsi ivyavuye mu matora y'amakomine n'ayandi yose yakurikiye. Vyaragaragaye ko ABAGUMYABANGA bubahiriza amategeko bakumiriwe muri ayo matora n'umurwi CENI, biturutse ku mananiza y'ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu, ubwo nabwo bukaba bwaritwariwe na CNDD-FDD y'umushingamateka El Hadj Hussein Radjabu ko bwisutse mubijanye n'itunganywa ry'uwo mugambwe bwongera buwuteramwo akajagari mu gutunganya ikoraniro kaminuza ryo kuwa 7 Ruhuhuma 2007 riteye kubiri n'amategeko ;

- Iturubikwa ry'ABAGUMYABANGA hamwe n'abandi banywanyi b'imigambwe ihurikiye mu runani ADC-IKIBIRI, eka ndetse n'uwo wese ku gatwe kiwe atavuga rumwe n'umugambwe uri ku butegetsi ryaciye rikurikira. Abantu isinzi barishwe ata kinya na bamwe mu MBONERAKURE zataye umurongo hamwe n'igipolisi c'ipereereza arico c'umukuru w'igihugu. Icuka kibi kivanzemwo ubwoba bwinshi kirakwira igihugu cose. Uyu munsi, amabohero yuzuyemwo ABAGUMYABANGA bubahiriza amategeko hamwe n'abanywanyi b'imigambwe itavuga rumwe na CNDD-FDD batagira uko bangana ;

- Iturubikwa ry'abamenyeshamakuru b'amaradiyo n'ibimenyeshamakuru vyigenga ryatumye bama barengutswa n'ubutungane ivy'agasakisaki ; abaharanira agateka ka zina muntu nabo bagahigwa buhongo hakoreshejwe amarementanya babagirira kugira ngo vyanse bikunze bicwe yamara Imana igakinga ;

- Iturubikwa ry'abashingwamanza rijanye no kubata mu mvuto vy'akarenganyo ryararenze ihaniro. Aha twovuga nka Me Suzana yapfunzwe kuwa 15/07/2011, Me RUFYIKIRI yapfunzwe kuwa 27/07/2011 hamwe na Me NYAMOYA yapfunzwe kuwa 28/07/2011. Abo babiri bambere bakaba bararekuwe bagenzi babo n'amakungu babanje gukoma induru, nayo Me NYAMOYA wewe akaba akivundiye mu buroko co kimwe n'abandi barundi isinzi ;

- Amarementanya atagira izina yakozwe n'igipolisi c'umukuru w'igihugu mu ntumbero yo kuremeka inkono ishushe bamwe bamwe mu batavuga rumwe n'ubutegetsi niyo yatumye hasasikwa inganda mu GATUMBA aho abantu bashika 40 bishwe urw'agashinyaguro kuwa 18/09/2011, muri kaminuza y'Uburundi naho hakaba hapfuye abanyeshure babiri kuwa 16/10/2011 ;

- Ubwicanyi bw'agahomerabunwa bw'igipolisi c'ipereereza gifashijwe na bamwe bamwe mu MBONERAKURE bataye umurongo bwarakozwe ku murango izuba riva muri za KANYOSHA na KIBENGA. Ubuhinga bushasha bwo kwica mu gukerera umutwe bwarakozwe mu ntara ya GITEGA. Uyu mwaka ukaba kandi waranzwe n'igandagurwa ry'abantu kandi baza bamaze gushika mu minwe y'igipolisi ;

- Igandagurwa ry'abanyamahanga babiri babagira neza i KIREMBA mu ntara ya NGOZI rirashira ahabona ko ubwo bubisha bwakozwe n'abatumwe naho nyene gutuma atigeze yumvirizwa, urubanza rukaba rwaciwe gihutihuti mu ntumbero yo guhisha ukuri no gukingira abene kubutegura.

Ico tutokwibagira n'uko ako kajagari gakomoka kwitunganywa ry'ikoraniro kaminuza ryo kuwa 7 Ruhuhuma 2007 ryavyaye umugambwe CNDD-FDD-NYAKURI uri ku butegetsi uno munsi. Iryo koraniro nyene, niryo ryatumye umugambwe ucikamwo amababa abiri iyo « NYAKURI » ikaba irongowe kuva ico gihe n'Inama y'Inararibonye. Amagorwa ABAGUMYABANGA bubahiriza amategeko babonye kuva mu 2007 ajanye no gusinzikarizwa ubuzima, kwicwa no gutabwa mu mvuto, uno munsi yahavuye atandukira imigambwe itavuga rumwe n'uwuri ku butegetsi, amashirahamwe akora canke adakora ivya politike, yubahuka gutunga agatoke no kutemera amanyanga ubutegetsi bukora. Muri kino gihe, ivyo bibazo vy'intwaro mbi itabereye bisigaye bihanze igihugu cose, naho kuva kare ABAGUMYABANGA bari baburiye abarundi n'amakungu ko igihugu kigomba kigwe mw'isanganya.

Turaremesheje ABAGUMYABANGA y'uko umukuru w'umugambwe ku bwiwe ko atazokwigera ahemukira politike ya CNDD-FDD mu gukingira ikibaba abahekura imiryango y'abarundi, abangaza abandi canke abatuma abarundi babaho mu mananiza, biturutse kw'inyuruzwa n'isesagurwa ry'amatungo ya Reta. Ivyo navyo bikaba arivyo nkomoko ry'ibiciro vy'umurengera n'ikumirwa ry'Uburundi mu makungu.

Turakengurutse kw'izina ryiwe, ubukerebutsi, ubutwari, ukwitanga n'ishaka ABAGUMYABANGA bubahiriza amategeko n'incuti zabo bagaragaje mu kudahemuka ku karangamutima k'umugambwe no kucivugo cawo arico : Ubutungane-Demokarasi-Iterambere. Umukuru w'umugambwe yipfurije ABAGUMYABANGA gutera imbere nk'umuzinga no gushika ku mahoro arama muri uno mwaka w'i 2012 dutanguye.
Turakengurutse kandi umutima w'urukundo no gufashanya vyaranze ABAGUMYABANAGA bubahiriza amategeko muri uno mwaka urangiye. Ivyo vyarigaragaje mu bikorwa binyuranye bakoze vyo gufata mu mugongo bagenzi babo bari mu mabohero anyuranye canke bashikiwe n'izindi ngorane nk'ingwara, impfu n'ibindi.

Turashimiye bimwe bivuye ku mutima ABAGUMYABANGA batari bake, naho bitwa ko bagumanye n'abari ku butegetsi mu kwicisha bugufi, batafashe inzira y'ubusuma n'ubwicanyi. Abo nabo nyene bakaba baranzwe n'umutima w'urukundo kuri bagenzi babo batitavye ikoraniro ry'i NGOZI, ubu bakaba barajwe ishinga no guharanira ubumwe n'iteka ry'ABAGUMYABANGA muri rusangi.

Mu gusozera, turibukije abarundi kw'inzira y'ibiganiro ariyo yonyene ABAGUMYABANGA bubahiriza amategeko bashira imbere naho hariho abayiyamiriza. Ku ruhande rumwe, n'abari ku butegetsi bipfuza ko ibintu vyoguma uko biri ubu, ku rundi ruhande narwo, n'abatavuga rumwe n'ubutegetsi babona ko ata gukorana n'abantu bisize ivyondo mu bijanye no gutunganya igihugu kigengwa n'amategeko hisunzwe intwaro ibereye n'iyubahirizwa ry'agateka ka zina muntu. Turashimiye kandi bimwe vy'umwihariko abarundi bose n'incuti zabo bashikirije uko ibintu vyifashe ata kurya umunwa nka kurya inama nkuru y'abepiskopi yabigenjeje, mu ntumbero yo gukemura mu mahoro ibibazo bijanye n'umutekano w'abarundi.

NOEL NZIZA N'UMWAKA MUHIRE KURI BOSE!

Bigiriwe i buruseri mu Bubirigi kwigenekerezo rya 31 Kigarama 2011
Kubw'ibiro vya politike vy'ABAGUMYABANGA bubahiriza amategeko

Abdoul NZEYIMANA
Umuvugizi